Hari ibintu bine, uwurangwa na vyo aba ari indyarya igaragara, uwuranzwe na kimwe muri vyo, aba aranzwe na kimwe mu bintu biranga indyarya gushika igihe avavanuye na co: iyo agize ngo araganiriye, arabesha; n'iyo agize ngo ariyemeje ikintu, arahemuka ntagishitsa; n'iyo agize ngo aratanze isezerano ntaryubahiriza; n'iyo hagize uwo batase, arerura mu kumucokora

Mu vyakiriwe na Abdullaahi mwene Amri (Imana Allah Ibishimire bompi) yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira mahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Hari ibintu bine, uwurangwa na vyo aba ari indyarya. Iyo naho aranzwe na kimwe muri vyo, aba aranzwe na kimwe mu biranga uburyarya gushika akiretse akavavanura na co. Abarangwa n'ivyo bintu bine rero: ni urya muntu iyo aganiriye abesha, n'iyo atanze isango ntaryubahiriza, n'iyo atase arerura mu gutata, n'iyo yiyemeje ikintu arahemuka".

[صحيح] [رواه البخاري ومسلم]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yarihanije ko umwislamu mu gihe yorangwa n'ibintu bine, aba asa n'indyarya zirangwa n'ivyo bintu bine, iyo ngingo rero yega urya mwislamu kenshi na kenshi arangwa n'ivyo bintu. Nayo urya mwislamu ashikirwa n'ivyo bintu gake kabaho, uyo ntiyegwa n'iyi ngingo. Ivyo bintu bine rero, ni ibi bikurikira: Ica mbere: Iyo agize ngo araganiriye, arabesha n'ibigira nkana, ntaheze ngo avugishe ukuri mu majambo yiwe. Ica kabiri: Iyo agize ngo ariyemeje ikintu, ntaheza ngo agishitse, aranahemukira mugenziwe. Ica gatatu: Iyo atanze isezerano (isango), ntaheza ngo aryubahirize, ararirengako. Ica kane: Iyo hagize uwo batase bakarwana, araheza akerura cane mu gutata, akanahonyanga ukuri, ntaheze ngo agutumbere, aranakoresha urwenge mu guca kubiri na nya kuri no mu kwigobotora, maze akavuga ibitaroranye n'ikinyoma. Mu vy'ukuri uburyarya, ni umuntu kugaragaza igihushane c'ivyo ahishije muri we. Iyi nyifato rero igira uwurangwa n'ivyo bintu bine, maze uburyarya bwiwe bukagaragarira mu vyo aganirije mugenziwe, mu vyo amusezeraniye, mu vyo amwizeyeko, mu vyo bapfuye mu gihe batase, no mu vyo yiyemeje akemerera abantu, si uko ari indyarya mu bwislamu bwiwe mu kuba abugaragaza mu gihe ahishije ubugarariji. Umuntu aranzwe na kimwe muri ivyo bintu bine rero, aba aranzwe na kimwe mu bintu biranga uburyarya gushika avavanure na co.